# INYIGISHO ZO KUMENYA NEZA BIBIRIYA

## ISEZERANO RISHASHA

## IGICE CA III

**(Gucapura iki gitabo birekuwe ku muntu canke kw'ishengero bipfuza kugikoresha. Ariko ubundi buryo bwose bwo gusubiramwo iki gitabo, nko kubigwiza ngo gikwiragwizwe ku bantu benshi, kugikoresha mu gutanga amatangazo canke kukigurisha, ntibirekuwe)**

**Ishure ryo kwiga neza Bibiriya, Isezerano Rishasha**

Ryateguwe na Rosemary P, Nelson
741 Sunrise Drive, Ripon, WI 54971
rosemerypricenelson@gmail.com

Bachelor of science : indero
Kaminuza ya Wisconsin, Oshkosh, WI, 1972

Umwarimu w'Amashure y'intango, Washburn , WI, 1972-1977
Yize Amashure 14 muri Columbiya Graduate School of Bible and Mission,
Columbiya, S.C. Fall, 1977

Umumenyeshamakuru/Umurongozi, Oshkosh Northwestern
Berlin and Ripon Bureaus, 1978-1996
Yarabaye mu mabanga atandukanye mw'ishengero kuva mu 1972 kugeza ubu, ririmwo amashure ya Gikristo, Igikogwa c'Abagore, Amasengesho, kwigisha Bibiriya no kwigisha Ishure ryo kuw'Imana

**Casubiwemwo na**
Lois E. Gloyd
421 E. Jackson Sreet, Ripon, WI 54971
legloryd@gmail.com
Impamyabushobozi y'Igice ca mbre ca Kaminuza : Computer Technology
1991
Moraine Park Technical college
Fond du Lac, WI

Yararonse akazi muri Lutheran Homes of Oshkosh 1991-2015

Yanditse ibintu vyinshi vyasohotse mu binyamakuru :
Country Magazine
Ruhuhuma/Ndamukiza 1999
Green Points Magazine
Mu gihe c'agatasi ka 2005 no mu gihe c'impeshi ya 2013
Upper Room Devotional Guide
Nyakanga/Mukakaro 2002 na Ntwarante/Ndamukiza 2010

Uwafashije mu gutangura **Sweeter than Honey Ministries** muri 2012
Intumbero yacu ni ukwigisha inyigisho zo gutangura za Bibiriya nk'Ijambo ryayo,
Kugira ngo dushobore gukura « tugize imitima misha, kugira
tumenye ivyo Imana igomba » mu buzima bwacu
«Ewe kuntu amajambo yawe angegera mu magage. Arusha ubuki gusosa mu kanwa kanje»
Zaburi 119:103

Iri shure ryateguwe mu nzira yo gufasha abanyeshure gutahura ibivugwa kugira ngo bibashoboze kugabura mu bice bito bito ibivugwa mu buryo bwokworosha gutahura kurusha. Ndagusaba kubanza gusoma witonze iyi ncamake imbere y'uko wiga wongere unigishe izi nyigisho. Uburyo bwo kwiga ibitabo vyo mw'Isezerano Rishasha  n'uku gukurikira (4, 1, 13, 7, 1).

Uko ibitabo bigabuyemwo mu migwi aho haruguru bifasha umunyeshura kumenya ubwoko bw'igitabo agezeko kwiga ( kw'isi hose niko babigabura). Nk'akarorero, Abaroma ni icete candikiwe ishengero, aho 1&2 Timoteyo, ari ivyate vy'icungere (abungere). 1 Petero ni icete rusangi. Iri shure ntiritanga akantu ku kandi kuri buri gitabo, ahubwo rifasha kwibuka mu gitabo cose amajambo makenya ari muri co, umurongo nyamukuru, mbere n'umugwi kirimwo.

Abantu bigisha iri shure barashobora guhindura ibice bimwe vyo, muri ryo igihe boba batahuye neza bakaba bashoboye gutora iciyumviro nyamukuru. Iri shure si ihishurigwa, ahubwo uwatanguje ir ishure yarakoze cane agira ivyigwa ukuntu gushobora gutahurika ; yaranagerageje kudata intumbero y'uko igitabo kiba kivuga.

## **Iciyumviro nyamukuru c'isezerano rishasha ni** : UGUSHITSWA

Isezerano rya Kera ryari rifise :

Imigenzo idasiguwe neza

Intumbero zitashitsweko

Ivyipfuzo bitahumurijwe

Ubuvugishwa butarashika

**Mw'Isezerano Rishasha, Kristo ibi vyose yarabishikije.**

Abanyeshure bawe ni basubiremwo ibi biharuro gushitsa bamenye ibitabo biserukira. Hanyuma, bace babifata mu mutwe, gutyo bamenye ibitabo vyo mw'Isezerano Rishasha mu migwi.

## Ibitabo vyo mw'Isezerano Rishahsha

Ubutumwa bwiza 4

Igitabo c'inkuru 1

Avyete ya Paulo 13

Ico atawuzi uwacanditse 1

Igitabo c'Ubuvugishwa 1

## Ubutumwa bwiza 4

Matayo

Mariko

Luka

Yohana

## 1 c'Inkuru

Ivyakozwe n'Intumwa

## 13 vyanditswe na Paulo

Abaroma

1&2 ab'Ikorinto

Ab'Igalatita

Abanyefeso

Ab'Ifilipi

Ab'ikolosayi

1&2 ab'Itesalonike

1&2 Timoteyo

Tito

Filemoni

## 1 atawuzi uwacanditse

Abaheburayo

## 7 vyanditswe n'abandi

Yakobo

1&2 Petero

1, 2& 3 Yohana

Yuda

## 1 c'Ubuvugishwa

**Ivyahishuriwe Yohana**

## Imigwi ivyete bigabuwemwo

Ivyete vy’Amashengero

Ivyete vy’Abungere( Abapasitori)

Ivyete Rusangi

## Ivyete vy’Amashengero

Abaroma

1&2 ab’Ikorinto

Ab’Igalatiya

Ab’Ifilipi

Abanyefeso

Ab’Ikolosayi

1&2 ab’Itesalonike

## Ivyete vy’Abungere

1 Timoteyo

2 Timoteyo

Tito

## Ivyete Rusangi

Filemoni

Abaheburayo

Yakobo

1,2&3 Yohana

Yuda

## **Reka dusubire mu ntango**

## **<u>Ubutumwa Bwiza 4</u>**

### <u>Matayo</u>

Kristo aboneka nk'Umwami

### <u>Mariko</u>

Kristo aboneka nk'umukozi (umusavyi)

### <u>Luka</u>

Kristo aboneka nk'Umwana w'Umuntu

### <u>Yohana</u>

Kristo aboneka nk'Umwana w'Imana

<u>Matayo, Mariko na Luka</u>

(ni ubutumwa bwiza busa muri vyinshi : sinobutike)

Ubu Butumwa bwiza burerekana ubuzima bwa Yesu nk'Imana ahandi nk'umuntu

Kenshi na kenshi, inyigisho ziwe zatangigwa imbere ya bantu bose

Ivyo yakoze vyinshi vyabereye cane cane i Galilaya

<u>Yohana</u>

Yohana yerekana ibintu bifadika imbere mu buzima bw'Umwami, akagaragaza cane

Ubumana mu buryo bwiwe mu buryo busobanutse.

Inyigisho atangira mu mw'iherero nizo birangira zimenyekanye cane zikaja ahabona.

Ivyo yakoze vyinshi vyabereye  i Yudaya.

# Matayo (Ibice 28)

**Umwami**: ivuka ry'Umwami ( mu muryango wa Dawidi)

**Arerekana ibisekuruza (1:1-17)**

Umurongo w'urufatiro : Matayo 16 :21

Ntawuzi neza igihe iki gitabo candikiwe, ariko bishoboka ko ari mu mpera z'imyaka ya 50 canke mu ntango z'imyaka ya 60 inyuma ya Kristo.

Ni inkuru ya Yesu w'i Nazareti iduha igishingantahe kitohinyuzwa ko ari Mesiya. Ni We yazanye Ubwami bw'Imana kw'isi kandi ni Umwami. Ni ugushitswa kw'ivyo Imana yavuze mw'Isezerano rya Kera ko izotanga amahoro y'ukuri n'ukubohoka kw'ubwoko bw'Abayuda hamwe n'abanyamahanga.

Ibintu nyamukuru Matayo avuga n'ibi bikurikira :

Igitarugwa hagati y'Isezerano rya Kera n'Isezerano Rishasha. Imana ibishitsa biciye mu bisekuruza (1:1-17) ugushitswa kw'ubuvugishwa bwo bw'Isezerano rya Kera (2:13-23) kandi avuga ko aje gushitsa ivyagezwe ataje kubikuraho (5:17-20)

Aragura igikogwa ciwe co gucungura ku bantu bose (10:5-6; 28:19)

Ishengero nk'umuryango mushasha w'abizera, usabwa kunesha amacakubiri ashingiye ku bwoko n'uburimbi bw'imico, rikarondera ubumwe. (11:28; 16:18-19; 28:19)

Ishengero rigumana Ukubaho kwa Kristo kandi baca bahabwa ibwirizwa rikuru ryo gukwiza Ubutumwa Bwiza kw'isi yose (16:18; 18:15-2; 22:10; 28:19-20)

Hari inyigisho zitanu zishobora zikomeye zigishirijwe ku mu garagaro, zishobora kwitwa kwitwa ivyigwa, canke inyigisho zerekeye kuba umwigishwa. Ziri mu bice vya 5-7, 10, 13, 18-20 n'ica 24-25

**Yesu ni Umwami wacu**

# <u>Mariko (Ibice 16)</u>

Umukozi canke umusavyi : inkuru yuzuye ibikogwa vyinshi (  amajambo asigura

« ako kanya » canke « ubwo nyene » nayo arakunda gukoreshwa kenshi.

**Ntiyerekana ibisekuruza**

Umurongo w'urufatiro : Mariko 10:45

Bishoboka ko coba canditswe hagati mu kinjana ca 50 canke mu mpera y'iki kinjana.

Uguhindura abantu abigishwa( nk'uko Kristo atwereka akarorero k'umukozi) ni nayo ntumbero yo kwandikwa kw'iki gitabo. Ubusabane na Kristo ni wo mutima w'ubuzima bwo guhinduka  umwigishwa wa Kristo. Guhinduka umwigishwa kuri We bisigura kumwizera, kumwatura, gukurikira inyigisho ziwe, kuraba uko agenda, no guhinduka uko tugiriranira imigenderanire nawe. Iki gitabo kirangira mu guhebwa nk'uko nawe abibaho.

Mariko atwereka ko Yesu ar'umuntu (1:25, 34, 44; 3:10-12 no mu bindi bice)

N'Umwana w'Umuntu afise ububasha n'ubushobozi bwose, ariko azotegerezwa kubabazwa

(1:6-34; 2:3-12, 23-28; 3:11; 5:7 no mu bindi bice)

Ni Umwana w'Imana (1:11; 3:11; 5:7; 12:6-8 no mu bindi bice)

Yesu n'Umwami (2:28; 12:35-37; 14:62)

Yesu asaba abamukurikira kumwigana (8:34-38; 9:35-37; 10:35-45)

Umurongo nyamukuru ni Mariko 10:45 uvuga ngo : «Kuko none Umwana w'umuntu atazanwe no gukoregwa, **atari gukorera abandi, no gutanga ubugingo bwiwe kw'incungu ya benshi.»**

Yesu ari we Mwana w'Umuntu, umwana w'Imana akongera akaba Umwami aratwereka akarorero k' :

**Ingene yo kuba umukozi**.

# <u>Luka (Ibice 24)</u>

**Umwana w'Umuntu:** aratwereka intango yiwe, imyiteguro, ibango ryiwe,

imibabaro yiwe **n'Intsinzi yiwe**

Aratwereka ibisekuruza

Umurongo nyamukuru: Luka 22:42

Bishoboka ko canditswe mu mwaka wa 62 Inyuma ya Kristo

Luka yashatse ko abantu  bose bamenya ko Ubutumwa Bwiza ari ubwa BOSE. Yaragize amatohoza yimbitse yongera arabaza ku bijanye n'imico Gikristo abasomyi biwe bakwiwe, kugira bamenye ko ari ukuri. Mbere banamenye ko biciye mu kwizera Yesu Kristo boronka Mpwemu Yera. Kuberako Luka yari umuganga, aratanga ibisonuro bikwiye ku kuvuka kwiwe n'idindi vyose abifashijwemwo n'ubumenyi yari afise.

Urutonde gw'intango rurimwo :

**Imyaka yintango ya Yesu (1:5; 2:52)**

Yesu yitegurira gutangura igikogwa (3:1-4; 4:15)

Igikogwa ca Yesu i Galilaya (4:16 gushitsa 9:50)

Urugendo gwa Yesu aja i Yerusalemu (9:51 gushitsa 19:27)

Igikogwa ca Yesu i Yerusalemu (19:28 gushika 21:38)

Imibabaro ya Yesu n'urupfu gwiwe (22:1; 23:56)

Ukuzuka kwa Yesu (24:1-53)

**Yesu Umwana w'Umuntu**

*Izina Yesu yakunda kwiyita ni « Umwana w'Umuntu ». iryo zina rigaruka incuro 78 mu Butumwa Bwiza ukw'ari bune. Birashoboka ko hari impamvu zitari nke. Kumbure kuberako ariwe yaje guserukira ikiremwa muntu, yashatse gusa muri vyose n'umuntu yaje gucungura. Kumbure kuba Umwana w'Umuntu nivyo bimufatanya n'ubuzima bwo kw'isi gutyo bikamugira umuntu nk'abandi bose. Ariko kandi Umwana w'Umuntu ryari izina ry'Umu Mesiya. Tubikura mu gitabo ca Daniyeli 7:13-14 «………. nagize ntya mbona uwusa n'Umwana w'umuntu azananye n'ibicu vyo kw'ijuru, aza kuri wa wundi wa mbere na mbere, baramumushikiriza. Aca ahabwa inganji n'icubahiro n'ubwami, kugira ngw'amoko yose n'amahanga n'abavuga indimi zitari zimwe bamusabe: ingoma yiwe n'ingoma itazovaho, kand'ubwami bwiwe n'ubwami butazohangura.»*

*Hari ibindi bice akoresha iryo jambo*

*«Ariko kugira ngo mumenye k'Umwana w'Umuntu afise ububasha mw'isi bwo guharira ivyaha, abwira ikimuga , ati Ndakubariye nti Vyuka, wikorere inderuzo yawe, utahe.» Mariko 2:10-11*

*«Kand'Umwana w'Umuntu yazanwe no kurondera no gukiza icari cazimiye.» Luka 19:10*

*«Atangura kubigisha, ati Umwana w'Umuntu akwiye kuzobabazwa uburyo bwinshi, no kuzokwankwa n'abashingantahe n'abaherezi bakuru n'abanyabwenge b'ivyanditswe no kuzokwicwa, maze haheze iminsi itatu akazuka.» Mariko 8:31*

*«Arik'Umwana w'Umuntu ah'azozira afise ubwiza bwiwe ari kumwe n'abamalayika biwe bose, niho azovyagira ku ntebeyiwe y'ubwiza.» Matayo 25:31*

*Hariho mu bindi bice, aho ijambo « Umwana w'Umuntu » riguma rigaruka mu mirongo itari mike. Iri zina abigishwa biwe ntibigeze barikoresha haba mu mvugo canke mu kumuhamagara, Yesu niwe ubwiwe yaryiyita.*

## <u>Yohana (Ibice 21)</u>

**Umwana w'umuntu** : Igice ic'ari cose kivuga Ubumana bwiwe

Nta bisekuruza atwereka

Umurongo w'urufatiro: Yohana 20:30-31

Bishoboka ko canditswe hagati y'imyaka ya 70 n'100 inyuma ya Kristo (Igihe Yohana yapfa)

Icivugo c'Ubutumwa Bwiza uko bwanditswe na Yohana kirumvikana. Yesu ni Mesiya yasezeranywe, Umwana w'Imana, abamwizeye bose bazoronka ubuzima budahera.

Incamake ngufi:

**Yesu, Ijambo ryambaye umubiri** (1:1-18)

Ibimenyetso bigaragaza ko ari Mesiya (1:9; 12:50)

Intahe ya Yohani **Batisita**

Igikogwa ciwe i Yerusalemu, i Yudaya, i Samariya no mu Banyamahanga.

Ukugwanywa kwiwe kuva mu Bayuda

Pasika yanyuma

Uguhebwa n'Abayuda

Ikiyago ciwe co  gusezera n'ikiganiro co mu ndwi y'imibabaro (Yohana 12:1; 20:31)

Ikiyago ca Yesu n'abigishwa biwe no gusangira ubwa nyuma

Gufatwa kwiwe, imibabaro, urupfu no guhambwa

Ukuzuka kwiwe, ukwiyereka abigishwa no kubarungika

Umurongo nyamukuri Yohana 20:30-31.

Ikiganiro ca nyuma na Petero, kumusubiza uko yar'ameze (21:1-25)

**Yesu n'Umwana w'Imana.**



## Igitabo kimwe c'Inkuru

# <u>Ivyakozwe n'intumwa (Ibice 28</u>)

Ivyakozwe n'Intumwa & Mpwemu Yera no gushingwa kw'ishengero rya mbere

Cerekana Yesu nk'Umwami ariho mu buzima bw'abamwizeye. Ijambo nyamukuru n'intahe

Umurongo nyamukuru : Ivyakozwe n'intumwa 1:8

Bishoboka ko candikiwe rimwe n'Ubutumwa Bwiza bwa Luka mu mwaka wa 62 Inyuma ya Kristo.

(*Raba incamake y'ubuzima bwa Paulo munsi)*

Incamake ngufi y'igitabo

Yesu ategura abigishwa biwe, araduga mw'ijuru, gusubiriza Yuda na Mpwemu araza ku munsi wa Pantecoti. (1:1- 2:13)

Ibikogwa bibera i Yerusalemu (2:14; 5:42)

Ibikogwa inyuma ya Yerusalemu (6:1; 12:25)

Ibikogwa bibera i Kupuro no mu Bumanuko bw'i Galatiya (13:1; 14:28)

Inama nkuru y'Abayuda (15:1-35)

Ibikogwa bibera mu Bugiriki (15:36; 18:22)

Ibikogwa vyabereye muri Efeso (18:23; 21:16)

Paulo afatigwa i Yerusalemu (21:17; 23:35


Paulo i Kesariya (24:1-26:32)

Paulo ashinga intahe i Roma (27:1-28)

**Mpwemu akomeza ishengero ryiwe**

# Ibintu bihambaye vyabaye mu buzima no mu gikogwa vya Paulo

• Yavukiye i Taruso i Kilikiya (21:39; 22:3)
• Yize i Yrusalemu (22:3; raba kandi 26:4-5)
• Guhama Ishengero rya Mbere (8:1-3; 9:1-2; 22:4-5; 26:9-11)
• Uguhinduka kwiwe (9:3-19; 22:6-16; 26:12-18)
• Umwanya aba muri Arabiya n'i Damasiko (9:19-25; 2 Ab'Ikorinto 11:31-33; Ab'Igalatita 1:17)
• Urugendo gwo kuja i Yerusalemu (9:26-29; Ab'Igalatiya 1:18)
• Gusubira i Taruso (9:30)
• Kwigisha muri Antiyokiya n'i Siriya (11:25-26)
• Kujana ivyo kurya i Yerusalemu kubw'inzara yari yateye (11:27-30; 12:25)
• Urugendo gwa mbere gw'ivugabutumwa (13:1-14, 26)
• Kujana ubutumwa muri Antiyokiya (14:26-28; 15:35)
• Inama yabereye i Yerusalemu (15:1-29)
• urugendo gwa kabiri gw'ivugabutumwa (15:36; 18:22)
• Urugendo gwa gatatu gw'ivugaburumwa (18:23; 21:17)
• Ugufatwa kwiwe i Yerusalemu (21:27; 23:22)
• Gupfungwa i Sezariya (23:23-36, 32)
• Bamujana i Roma (27:1; 28:15)
s• Kumushira mu nzu y'imbeho (28:16-31)
• Ukurekugwa n'ingendo zikurikira (?) raba Tito 1:5; 3:12;  1 Timoteyo 1:3; 3:14 2 Timoteyo 4:13, 20, ndibaza n'Abaroma 15:24, 28)
• Ugupfungwa ubwanyuma no gupfira i Roma ( 2 Timoteyo 1:16-17; 4:6-8; 16-18)



# Ivyete vyo mw’Isezerano Rishasha

Gufasha aba Kristo kubaho ku bwa Kristo muri iki gihe

Ivyete vy’Amashengero vyandikiwe amashengero. Ivyete vy’Abungere vyandikiwe abungere, n’amakete ya rusangi yandikiwe aba Kristo bose. « Ivyanditswe vyose vyahumetswe n’Imana, kandi bigira ikimazi co kwigisha umuntu… » ( 2 Timoteyo 3 :16)

**Ivyete 13 vya Paulo**

9 n’ivy’Anmashengero

3 n’ivy’Abungere

1 n’ica Rusangi.

## <u>Abaroma (Ibice 16)</u>

**Icete candikiwe ishengero ry’i Roma**

Kivuga Yesu nk’Ukugororoka kwacu

Umurongo w’urufatiro ni Abaroma 1:16-17

Bishoboka ko canditswe mu mwaka wa 57 Inyuma ya Kristo

Paulo yigisha inyigisho ziwe zuzuyemwo ibijanye n’iyobokamana i Roma, naho atabivuze vyose. **Ijambo rijanye n’ukugororoka rigaruka incuro 55 muri iki gatabo.**

Ivyiyumviro bimwe nyamukuru…… Imana icira urubanza bose ari abanyavyaha, ariko kandi itegura n’agakiza biciye mu **kugororoka kw’Umwana wayo**. (1:18; 3:20)

Ivyagezwe, naho ari vyiza, ntibishobora gutsinda ubushobozi bw’icaha (2:12-19)

Ugutsindanishirizwa kuva ku kwizera gusa (1:16; 4:25)

Kazoza k’ubwiza kokwizegwa ariko kubizeye Kristo (5:1; 8:39)

Imana irigenga, kandi muri Kristo, niho ishikiza amasezrano yose ku Banyamahanga cokimwe n’Abayuda. Vyose ibikora nk’uko umugambi wayo uri. (9:1-9:36)

Aba Kristo bahamagarigwa gufashanya hagati yabo, kuba abenegihugu beza, kuba abera no gukunda bagenzi babo (12:1-13:36)

Ibi vyiyumviro birahari no mu bindi bice mu gitabo c’Abaroma.

**Yesu niwe kugororoka kwacu.**

# 1 Ab'i Korinto (Ibice 16)

Icete c'Ishengero ry'i Korinto

Kivuga Yesu Kristo nk'Umuhuza wacu.

Umurongo nyamukuru : 1 Kor 15:3-5)

Canditswe hagati y'imyaka ya 53-55 Inyuma ya Kristo

Iki gitabo kirimwo ivyigwa vyinshi :

Paulo ashaka ko bene Data babizera bofatanya nawe mu kuvuga Ubutumwa Bwiza. Bariciyemwo ibice bivuye ku bwibone bw'aba Kristo bbafise ububasha , bsigisha inyigisho zitari zo. Ashaka ko bagira urukundo n'ubumwe kugira ngo ubushobozi bw'Ubutumwa Bwiza bugaragara nk'ubwenge bw'Imana, maze ubusazi bw'abana b'abantu bubonekere bose. (1-4)

I Korinto hari hariyo ingorane mu ngo, kwahukana, ivyo kurya ibiterekerewe ibigigwamana. Aranavuga ibijanye no kwitwikira kw'abagore mu makoraniro n'uburyo bwiza bwo gusenga. Ntibakwiye kuduza ingabire imwe kuruta iyindi. Bategerezwa kwubaka ukwizera ku badakomeye, no gushikana inkuru nziza kubatarizera. (5-14)

Ibice bibiri vyibukwa cane n'ica 13, igice kivuga ku rukundo, n'ica 15, incamake y'ivyo Yesu yakoze. (15 :3-5 umurongo w'urufatiro), ivyiyumviro ku kuzuka kw'abapfuye biri mu gice ca 15:12-58.

**Yesu Kristo ni Umuhuza Wacu**

# <u>2 Ab'i Korinto (Ibice 13)</u>

Icete candikiwe ishengero ry'i Korinto

Kivuga Yesu Kristo, Uwuduhagije/uwudukwiye

Umurongo w'urufatiro : 2 Kor 12:9

Canditswe hagati y'imyaka ya 55 na 56 inyuma ya Kristo

Iki ni icete ca Paulo ubwiwe. Cuzuyemwo amarangamutima n'ubururero vy'impamvu ari intumwa ya Kristo, n'igituma yababajwe vy'ukuri ku bwiwe. Imibabaro ya Paulo igaragaza ugushishikara kwiwe ariko si ukudashobora. Ukwihangana kwiwe hagati mu bihe bigoye (vyakogwa n'umutima wo gushima no gushikama) vyerekana ubushobozi bwo kuzuka bwa Mpwemu. Paulo abwira abantu b'i Korinto ko bamutaye bazoba bataye Kristo ubwiwe, naririya ubutumwa bwa Paulo, ibango n'ingene yitwara mu buzima bwiwe vyari ivya Kristo. (1-6; 13:10)

Ibindi Paulo avuga ni ibijanye n'indero mw'Ishengero no kunezereregwa ab'ihanye (Ibice 6-7) hamwe n'ubuntu buva mu gutanga (Igice c'8)

Igice ca 12 kirazwi ko cigisha ingene inkomezi z'Imana zihingurigwa mu

ntege nke zacu.. Ni uwudukwiye/uwuduhagije!

**Dukeneye Yesu gusa. Ni we Aduhaza/Adukwiye**

# <u>Ab'i Galatiya (Ibice 6)</u>

Icete c'Ishengero ry'i Galatiya

Kivuga Yesu, Umwidegemvyo wacu

Umurongo w'urufatiro: Gal 5:1

Coba canditswe mu mwaka wa 47 canke 48 inyuma ya Kristo, kandi bishoboka ko ari co cete ca mbere Paulo yanditse. Urupfu gwa Kristo gwazanye isezerano rishasha kugira ngo abizeye biwe ntibabe bagikurikiza ivyagezwe vy''Abayuda. Namba ivyagezwe bigikenewe, gutsindanirizwa kwacu ntitukuronka kubera ukwizera gusa. Abakurikira yesu ubu babayeho kubw'ubushobozi n'uburongozi vya Mpwemu Yera.

Kristo yaraducunguye ngo twidegemvye, adukuye mu buja (5:1). Ntiturongogwa n'umubiri (5 :18-21), ariko turongogwa na Mpwemu anadushoboza kwama ivyamwa Vyiwe (5:22-25)

**Yesu atugira abidegemvya kubw'ukwizera gusa.**

# Abanyefeso (Ibice 6)

Icete candikiwe ishengero ryo muri Efeso

Kivuga Yesu Kristo, uwuhuza vyose bikaba kimwe.

Umurongo nyamukuru : Abanyefeso 1:7

Canditswe mu mwanka wa 62 inyuma ya Kristo

Ibice bitatu vya mbere bivuga ingene Kristo yiyujuje yongera yuzuza n'Imana ivyaremvye vyose n'ingene ari imfura muri vyose. Ibi bice bivuga ibijanye n'iyobokamana. Ibice bitatu vyanyuma navyo bitanga inyigisho uburyo bwo kubaho ubuzima Rukristo

Agakiza n'ubuntu bizanwa n'ukwizera (Igice ca 2)

Ibanga ry'Ubutumwa Bwiza n'ingene buhuza Abayuda n'Abanyamahanga, Ariko kandi ubumwe n'amahoro vya Kristo (Igice ca 3)

Akarorero k'ubumwe bw'umubiri (igice ca 4)

Ubuzima bushasha mu rukundo n'ukugandukirana hagati yanyu (Ibice vya 5-6)

Ibigwanishwa vyose  vy'Imana (Igice ca 6)

**Yesu ahuza vyose akabigira Kimwe**

# Ab'i Filipi (Ibice 4)

Icete candikiwe ishengero ry'i Filipi

Kivuga Yesu Kristo, Umunezero wacu

Umurongo w'urufatiro : Ab'i Fil 1:21, Ab'i Fil 4:8

Canditswe mu mwaka wa 62 Inyuma ya Kristo

Ubutumwa nyamukuru ku bantu b'i Filipi ni kubatera intege. Paulo aragaragaza umunezero afise muri Kristo n'ingene twowuronka natwe. Iki cete acandika ari mw'ibohero

Ibindi vyiyumviro:

Paulo aravuga ibijanye no gushigwa mw'ibohero kwiwe n'ingene vyatumye ubutumwa buja imbere. Kuri we kubaho ni Kristo, kandi gupfa ni inyungu. Tuzobabazwa kubw'Ubutumwa Bwiza (Igice ca 1)

Dutegerezwa kubaho ubuzima bushira abandi imbere. Kristo yaratweretse uburyo bwo kubikora. Dutegerezwa kubaho turi amatara kandi Paulo araduha uburorero bw'abandi babikoze (Igice ca 2)

Paulo avuga ko ataco twogereranya no kumenya Kristo. Dutegerezwa gukurikiza ako karorero.

Ukugororoka kuva kuri Kristo, ariko si kubapinga Ubutumwa Bwiza. Turi abenegihugu b'ijuru (Igice ca 3)

Turashobora kunezegwa mu Mwami, amaganya yacu tukayamenyesha Imana mu gusenga tunagire ivyiyumviro vyiza (Igice ca 4)

**Yesu niwe munezero wacu tutitaye kubidushikira.**

# <u>Ab’i Kolosayi (Ibice 4)</u>

Icete candikiwe ishengero ry’i Kolosayi

Kivuga Kristo, Ubuzima bwacu

Umurongo nyamukuru : Ab’Ikolosayi 2:6 canke 3:4

Canditswe mu mwaka wa 62 Inyuma ya Kristo. Paulo yacanditse ari mw’ibohero

Iciyumviro nyamukuru ni Yesu n’Umwami hejuru y’ivyaremwe vyose, ibiboneka n’ibitaboneka. Yaracunguye abantu biwe, aca abaha uburenganzira bwo kubana nawe mu rupfu gwiwe, kuzuka kwiwe hamwe n’ukunengesera kwiwe. Kristo niwe mfura muri vyose.

Paulo aratsimbataza Kristo uwariwe mu gice ca 1. Aravuga kandi ko adashigikiye inyigisho z’ibinyoma zariko zirigishwa mw’ishengero (Igice ca 2). Kristo niwe dukwiye kwibandako nayo ubuzima bwacu buri muri we (3:1-4), n’ingene dukwiye kubaho ubuzima Rukristo (3:5 ; 4:6)

**Kristo ni we Mfura kandi niwe buzima bwacu.**

# 1 Ab’i Tesalonike (Ibice 5)

Icete candikiwe ishengero ry’i Tesalonike

Kivuga Yesu Kristo, Uwugira aze.

Umurongo w’urufatiro: 1 Tes 4:15-17

Canditswe hagati y’imyaka ya 49-51 Inyuma ya Kristo

Ukugaruka kwa Yesu Kristo kuravugwa mu bice vyose vy’iki cete (1:10; 2:19-20; 4:13-18

na 5:1-11, 23-24)

Ibindi vyumviro ni…

Uburake bw’Imana buri hafi ariko si kuba Kristo (1:10; 5:4,9)

Aba Kristo bategerezwa kubaho ubuzima bwejejwe (3:13; 4:3-8; 5:23) kandi ntibakwiye kwirengagiza gukora (4:9-12; 5:14)

Urupfu no kuzuka vya Yesu ni urufatiro gw’ivyizigiro vy’aba Kristo (4:14; 5:10)

**Yesu Niwe agire aze vuba**

# 2 Ab'i Tesalonika ( Ibice 3)

Icete candikiwe ishengero ry'i Tesalonika

Kivuga Yesu Kristo, Umwami wacu agire agaruke

Canditswe inyuma ya 2 Tesalonile hagati y'imyaka ya 49-51 Inyuma ya Kristo

Ukugaruka kwa kabiri kwa Kristo nikwo kuvugwa cane nk'uko biri mub'i Tesalonike ba mbere. Ariko iki gitabo kivuga ingene hazogera igihe umuntu yitwa mugarariji azoza canke Antikristo imbere y'uko Kristo aza (2 :3)

Kristo aje ( 2 :8) azoca amutsinda ace ashiraho ubutungane/ ubugorotsi ku ba Kristo bari mu karenganyo. Uburake bwiwe buzoza ku baba hohoteye no kubatarizera muri rusangi. (1 :5-10; 2:9-15)

Mu gice ca 3, araburira abantu kuvyo gusenga ibigigwamana. Umuntu adakora ntakarye. Ahubwo aba Kristo bakwiye kwigana Paulo nk'uko nawe yigana Kristo. Kandi ntibakwiye kurambwigwa no gukora ivyiza.

**Yesu azoza abe Umwami wacu, igihe vyose bizoba birangiye**

# <u>1 Timoteyo (Ibice 6)</u>

Icete c'Abungere

Candikiwe Timoteyo aho yari muri Efeso

Kivuga Yesu Kristo, Umwigisha wacu

Umurongo nyamukuru: 1 Tim 4:12

Bishoboka ko canditswe  hagati mu mwaka wa 60 Inyuma ya Kristo

Muri iki cete. Paulo avuga ko ubukirisu nyabwo bugaragarira ku kugene umuntu yitwara bifatiye ku Butumwa Bwiza. Abarongozi b'ishengero bategerezwa kubera akarorero abo barongoye. Iciyumviro c'ishengero ririmwo urutonde ni kimwe mu bivugwa muri iki gitabo.

Timoteyo:

Yashinzwe igikogwa kijanye n'abigisha b'ibinyoma mu gice ca 1. Ategerezwa kandi kumenya izo nyigisho (4:1-5), kandi anahangane nazo (Igice ca 6). Yesu ni Umwigisha wacu w'ukuri

Yahawe insiguro y'ubuzima bufatiye ku Butumwa Bwiza mu gice ca 2 n'ica 3

Yabwiwe ko ubuzima bwiwe bwoba akarorero k'umuntu abayeho ubuzima bumurikiwe n'Ubutumwa Bwiza (4:4-16)

Paulo ategeka ko abanyanshengero bubahana bivanye n'imyaka n'ukungana kw'ibitsina, kwubaha abapfakazi, abatama n'ababigisha (5-6:2)

**Yesu ni Umwigisha wacu mu Buzima bwacu no mu Mashengero yacu**

# 2 Timoteyo (Ibice 4)

Icete c'abungere

Iki cete canditswe imbere y'urupfu gwa Paulo, kumbure mu rugendo gwiwe gwa kabiri i

Roma

Kivuga Yesu Kristo, akarorero kacu

Umurongo nyamukuru: 2 Tim 4:2

Coba canditswe hagati y'imayaka ya 64 na 67 Inyuma ya Kristo

Muri iki cete Paulo araca akarongo ku kwihanganira imibabaro y'Ubutumwa Bwiza. Abandi bari bamutaye ariko aca yibuka ukwitanga kwa Timoteyo (1:3-5). Iki cete acandikira Timoteyo ku giti ciwe anamwinginga kubandanya ubwizigigwa bwiwe kuri Kristo no kubandanya aba akarorero.

Mu gice ca kabiri, asubiramwo ibijanye n'abigisha b'ibinyoma na Timoteyo kwitandukanya nabo. Arasobanura ico ari co inyigisho z'ibinyoma akanahanura Timoteyo ashimitse kubandanya gukora ivyiza no kutagira ico ahuriyeko nabo.

Aravuga ukutubaha Imana mu gice ca gatatu mu gihe c'iherezo. Aranibutsa Timoteyo ibijanye n'Ijambo ryahumetswe n'Imana n'akamaro karyo ku bizera.

Mu gice ca 4 amushinga kuvuga Ubutumwa Bwiza ataravye umwanya n'inzitizi izarizo zose nkuko nawe yabikoze mu gihe yari akiriho. Yarababaye mbere aranavuga ibijanye n'urupfu gwiwe.

**Yesu niwe karorero kacu k'ingene tubaho ubuzima bwacu aha kw'isi**

# Tito (Ibice 3)

Icete c'Abungere candikiwe Tito ari i Kirete

Kivuga Yesu Kristo, niwe dufatirako akarorero

Umurongo nyamukuru: Tito 3:4-5

Canditswe  hagati mu mwaka wa 60 Inyuma ya Kristo

Bishoboka ko Paulo yoba yari mu rugendo gwiwe gwa kane, gahati yo gupfungwa

kwiwe kwa mbere n'ukwa kabiri.

No ngaha kandi, abigisha b'ibinyoma n'ingorane mu mashengero atarakura. Tito yari yasiganye i Kirete aho Paulo yari yavuze Ubutumwa Bwiza, yasigayeyo kugira abafashe

kubakomeza mu Kwizera. Ubutumwa Bwiza kuko yabuvuze muri 3:3-7, hakoreshwa mu gutandukanya inyigisho zitari zo hamwe n'inyigisho z'ukuri.

Igice ca 1 kirerekana neza ibisabwa kugira umuntu abe umutama w'ishengero ugereranije nivyo abigisha b'ibinyoma bari bavuze bitandukanye cane .

Mu gice ca 2, Paulo abwira Tito kwigisha inyigisho z'ukuri, no kuzibaho, kugira ntihagire uwugira amakenga ku bwizigigwa bwiwe kuri Kristo canke ngo hagire uwuharira ivyo avuga.

Mu gice ca gatatu cibutsa, kwumvira/kwubaha abaganza no kwama yiteguye gukora igikogwa ciza cose. Aributsa Tito ingene Kristo yadukijije, kwatari kubw'ivyo twakoze, ariko ni kubw'imbabazi ziwe. Paulo aravuga guhunga ibihariro bitagira akamaro no kwigira kure y'abantu babikora. Biratuma mu bantu havyuka uruhagarara mbere bikazana kwicamwo ibice.

**Yesu niwe turabirako ingene dukwiye kuba ishengero no kubaho ubuzima bwacu**

# <u>Filemoni (Igice kimwe)</u>

Icete rusangi

Kivuga Yesu Kristo nk'Umwami n'Umwigisha wacu

Umurongo nyamukuru : Filemoni 10-11

Canditswe mu mwaka wa 62 Inyuma ya Kristo

Iki gitabo gifise imirongo 25 gusa kirerekana Ubushobozi buhindura bwa Yesu Kristo mu buzima bw'umuntu. Igihe Onezimu yari yahunze, yacitse umu Kristo, munsi y'uburongozi bwa Paulo. Paulo yinginga Filemoni kumwakira nka mwene data w'umukundwa n'umuja amukorera ata gahato. Onezimu yariyujuje n'Imana ariko kandi yarashigaje kwiyuzuza na shebuja wo mw'isi.

**Yesu ni Umwami wacu n'Umwigisha wacu.**

***<u>Icete kimwe kitazwi uwancanditse</u>***

# <u>Abaheburayo (Ibice 13)</u>

Icete rusangi

Kivuga Yesu Kristo nk'uwuri hejuru ya bose, umuherezi wacu kandi adusengera imbere ya ntebe

Umurongo nyamukuru : Abaheburayo 4:12-16

Coba canditswe imbere y'umwaka wa 70, igihe ntikizwi neza

Inkuru ivugwa nuko Yesu Kristo akomeye kuruta umumarayika uwariwe wese, umuherezi canke ivyagezwe vyo mw'isezerano rya kera. Ivyo vyose ntaco bimaze hageze ko twubaha Kristo. Rero, ntakamaro kwiyumvira kubihindukirira. Iki cete candikiwe abantu bari basanzwe bazi Isezerano rya Kera aririyo sezerano ry'Amategeko.

Incamake y'ibirimwo vy'akamaro ni :

Yesu ni mukuru kuruta Abamarayika (1:1-2; 2:18)

Yesu ni mukuru kuruta ivyagezwe vya Mose (3:1 gushika 10:18)

Muri iki gice, Yesu yerekanwa nk'umuherezi mukuru mu buryo bwa Merekisedeki

4:12 gushika 8:13). Ni Uwudusengera imbere y'intebe mw'ijuru (4:14-16)

Umuhamagaro wow o kwizera no kwihangana uratangwa (10:19; 12:19)

Amajambo yo guheraheza (13:1-25)

Iki gitabo kiratera integecane abizera ku kuguma mu kwizera kwabo

**Niwe muherezi mukuru wacu, uwudusengera, kandi ari hejuru ya bose.**

***<u>Ivyete 7 vya rusangi vyanditswe n'abandi banditsi</u>***

# Yakobo (Ibice 5)

Icete ca Rusangi

( Yakobo ni mwene nyina wa Yesu Kristo mu vyaha kw'isi)

Kivuga Yesu Kristo Umuyobozi wacu - ba uwukora ijambo

Umurongo nyamukuru: 1:22

Coba canditswe mu ntango y'umwaka wa 40 Inyuma ya Kristo.

Ukwizera kuzogezwa (1:2-18)

Umva wongere ukore Ijambo (1:19-27)

Icaha co kurobanura abantu ku butoni (2:1-13)

Ukwizera kutagira ibikogwa kuba gupfuye (2:14-16)

Gufata ururimi, ubwenge no gukunda ivy'isi (3 gushika 4:12)

Ivyaha vy'abatunzi (4:13; 5:12)

Gusenga kwabafise ukwizera (5:13-18)

**Yesu, we jambo, niwe atuyobora mu gukora Ijambo**

# 1 Petero (Ibice 5)

Icete Rusangi

Kivuga Yesu Kristo ubwiza bwacu bwa kazoza naho tubabazwa aha mw'isi

Umurongo nyamukuru: 1 Petero 1:3-4

Canditswe mu mwaka wa 62 Inyuma ya Kristo

Agakiza katugira ba kavantara, ariko turafise iragi muri kazoza (1:3; 2:10)

Uko tubaho nk'abantu biwe aha kw'isi, tumuhesha icubahiro muri iyi si igoye (2:11; 4:11)

Dutegerezwa kwihanganira imibabaro (3:13; 4:11)

**Yesu adufitiye kazoza k'ubwiza mw'ijuru, ariko dutegerezwa kubabazwa k'ubwiwe aha kw'isi**

# 2 Petero (Ibice 4)

Icete rusangi

Kivuga Yesu Kristo, isoko ry'ubuzima bwokubaha Imana

Umurongo nyamukuru : 2 Petero 1:2-3

Bishoboka ko canditswe hagati y'imyaka ya 64-67 Inyuma ya Kristo

Petero yanditse ivyo yiboneye n'amaso yiwe , aho atubwira ko Yesu ari isoko

ry'ubuzima bw'ubumana (1:3-11)

aributsa ishengero kubaho ubuzima bw'Ubumana. Iri ni ijambo ry'ubuvugishwa (1:12-21)

Arasuzuma abigisha b'ibinyoma (2:1-22)

Aratubwira ivy'Umunsi w'Umwami azoza kandi azoza ntakabuza (3:1-13)

**Yesu ni isoko ry'ubuzima bw'ubumana tubayeho kandi tuguma mu nzira nziza naho hari abigisha ibitari vyo.**

# 1 Yohana (Ibice 5)

Icete ca Rusangi

Kivuga ko Yesu Kristo ari urukundo n'umuco wacu

Umurongo nyamukuru : 1 Yohana 5:13

Canditswe bitarenga imwaka ya 90

Ibintu bitatu nyamukuru vy'ubuzima Rukristo Yohana avuga ni inyigisho z'ukuri, ubuzima bwiyumvira n'ukwitanga cane. Abamukurikira barashobora gutsinda inkozi z'ikibi kuko ni we Muco kandi arahambaye kurusha Antikristo uwari we wese mw'isi.

Imana ni Inzira kandi n'Umuco (1:2-6)

Araduha icagezwe dukwiye kugumamwo muri ino si iriko irashira! (2 :7-17)

turashobora gutsinda Antikristo mu kwatura Umwana (2:18; 3:10)

Turashobora gutsinda ikibi mu kwumviriza Yohana (3 :11; 4:6)

Turafise gukekeranya dufise ku Mana mu rukundo gwiwe (4:17-21)

Turashobora kwizera Umwana nk'inzira y'ubuzima (5:1-12)

Ukwizera hamwe n'ugutahura (5 :13-21)

**Yesu yaratweretse ko ari Rukundo kandi n'Umuco mu rugendo gwacu**

# 2 Yohana (Igice 1)

Icete rusangi

Kivuga Yesu nk'ukuri

Umurongo nyamukuru: 2 Yoh 1-2

Canditswe mu myaka y'imbere y'umwaka wa 90

Umutama mw'iki gitabo asaba ishengero kugendera mu kuri no mu cagenzwe Kristo yabahaye kugenderamwo arico urukundo. Aranabagabisha ku mubeshi kandi ko uyo azoba ari Antikristo. Arababwira ko abantu baba mu nyigisho za Kristo, Data n'Umwana bose baba muri bo. Ntimugapfe kwizera inyigisho zitari zo.

**Yesu n'Ukuri**

# 3 Yohana (Igice 1)

Icete rusangi

Kivuga Yesu kwari mwiza, kandi n'ukuri

Umurongo nyamukuru: 3 Yoh. umurongo wa 4

Candikiwe rimwe n'icete ca 1, 2 Yohana, imbere y'imyaka ya 90 Inyuma ya Kristo

Iki cete candikiwe umuntu yitwa Gayo. Yohana yari afise umunezero kubona umwe mu bana biwe yavyaje ubutumwa ariko agandera mu kuri no mu rukundo. Amubwira gufata mu mugongo abakozi bagenziwe bariko bagendera mu kuri. Avuga ko atakwumviriza abantu bigira beza ariko ari babi, nka Diyotirefe. Umuntu wese akora iciza ava ku Mana.

**Yesu, we ari Mwiza, aratwereka uko twogendera mu kuri**

# Yuda (Igice 1)

Icete rusangi

(Yuda ni mwene nyina wa Yesu aha kw'isi)

Kivuga Yesu Kristo Umuzigamyi wacu

Umurongo nyamukuru: Yuda 24

Yuda ariko abwira abantu kugwanira/guhagararira ukwizera kwa Yesu Kristo. Bizobasaba kwihangana n'ubwo hari abigisha b'ibinyoma. Bategerezwa kuziyamiriza kandi Yuda aranabibutsa ko mu minsi y'iherezo hazoba abakengera ivy'Imana ( 17), ariko arabibutsa ko Yesu azobazigama ntibatembe kandi kwazobashikana ata gasembwa, nk'uko vyavuzwe muri wa murongo nyamukuru.

**Yesu, arahamagara, akababakunda akanazigama abantu biwe ibihe vyose.**

# ***Igitabo kimwe c'Ubuvugishwa***

## Ivyahishuriwe Yohana (Ibice 22)

Canditswe n'intumwa Yohana

Kivuga Yesu Kristo Umwami cacu anesha/atsinda

Umurongo nyamukuru: Ivyah 1:19

Bishoboka ko canditswe mu myaka ya 95 canke 96 Inyuma ya Kristo

Ivyahishuruwe Yohana si igitabo c'ubuvugishwa gusa n'ic'intumwa, bisigura ko gishira ahabona ibintu kumbure tutopfuye tumenye. Canditswe ahanini mu buryo bw'ibimenyetso. Kirashira ahabona intambara itaboneka ishengero riragwana. Kiravuga intambara yo mu kirere hagati y'Imana, Kristo na Satani n'abakozi biwe. Iki gitabo kiragabisha ishengero, kikanatanga ibituma rikwiye kwihanganira imibabaro no kuguma batanduye muri iyi si bazi.

Iyi yari incamake, ibi biri munsi birafasha umunyeshure gusobanukikwa neza. Bibiriya yo kwiga izofasha muri vyo.

Intangamarara (1:1-8) harimwo ugutangaza kw'Umwami agire aze

Igice nyamukuru (1:9 gushika 22:5)

Iherezo ry'igitabo (22:6-21)

Incamake yakuwe muri 1:19: ibintu Yohana yesretswe (1:1-20), ibintu biriho ubu (vyandikiwe amashengero 7, 2:1 gushika 3:29), n'ivyagire bibe (4:1 gushika 22:5)

Umwagazi n'umuzingo w'igitabo (4:1-5; 5:14)

Abamarayika n'inzamba, ukubura kw'biza bigire bize: 8:2; 11:18)

Intambara yo mu kirere hagati ya Kristo na Satani : yerekana umugore, umwana wiwe, ikiyoka hamwe na vya bikoko (11:19; 14:20)

Inzavya n'ishavu ryanyuma ry'Imana (15:1-16:21)

Babuloni ari we maraya (17:1-19:10)

Uguhona n'ugutsindwa kwa vya bikoko na ca kiyoka, n'urupfu gwanyuma (19:11-20:15)

Vyose bihindutse bisha (21:1-22:5)

Amajambo yo guherezako (22:6-21)

Ibi birimwo isezerano ko Yesu agire agaruke vuba, imburi ku kwongerako canke gukurako mu vyanditswe mw'iki gitabo n'isezerano ry'umugisha.

Naho hari intambara, amatati, imburi n'ubuhemu.

**Yesu n'Umwami wacu atsinda ibihe vyose! Ameni kandi ameni!**